**AMBASSADE DE LA**

**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

**A**

**BRUXELLES**

**IJAMBO NYAKUBAHWA AMBASSADEUR THERENCE NTAHIRAJA YASHIKIRIJE ABARUNDI BO MU BUBILIGI KU WA 21 GITUGUTU 2023, MUGIHE BIBUKA IMYAKA 30 IHEZE HAGANDAGUWE INCUNGU YA DEMOKARASI MU BUBURUNDI, NYENICUBAHIRO PREZIDA MELCHIOR NDADAYE HAMWE N'ABAFASHA BIWE**

***Bruxelles le 21 Octobre 2023***

- ***Nyakubahwa Musaseradoti waje kudufasha muri bino birori bidasanzwe ;***
- ***Banyakubahwa mwaserukiye Umuryango w'incungu ya demokarasi mu Burundi, Nyenicubahiro President Melchior NDADAYE ;***
- ***Banyakubahwa mukora mu Buserukizi bw'Uburundi aha mu Buburigi, umwe wese mu cubahiro Imana yamuhaye ;***
- ***Banyakubahwa mwaserukiye umuryango w'incungu y'ukwikukira kw'Uburundi, Umuganwa atari Umugani Nyenicubahiro Ludoviko RWAGASORE ;***
- ***Nyakubahwa Mushakashatsi ukaba uri no mu Mugwi w'Igihugu ujejwe gutohoza ukuri, kurekuriranira no kunywanisha Abarundi « CVR-Burundi » ;***
- ***Banyakubahwa mwese mwateye iteka uru rubanza ntibagiranwa mu mateka y'Igihugu cacu c'Uburundi, umwe wese mu cubahiro Imana yamuhaye ;***
- ***Bagabo, Bashingantahe, Bapfasoni namwe Rwaruka, tugire amahoro, Ubumwe, Umutekano, iterambere n'intsinzi ya demokarasi mu Gihugu cacu c'Uburundi !***

1. Kuri uyu musi wagatandatu, igenekerezo rya 21 gitugutu 2023, ndi n'iteka ntangere ryo kugengurukira Imana Mushoboravyose, yo yadushoboje gushika kuri uyu musi udasanzwe mu mateka y'Igihugu cacu c'Uburundi. Kukaba nkako, ni umusi twibuka imyaka 30 irangiye, Incungu ya demokarasi mu Burundi, **Nyenicubahiro Président Melchior NDADAYE** agandaguwe bunyamaswa hamwe n'abafasha biwe mw'ijoro ryo kuwa 20 rishira 21 gitugutu 1993.

2. Banyakubahwa mwese mukoraniye ng'aha, kubera ububisha bw'abansi ba demokarasi mu Burundi, Abarundi bari basanzwe basangira akabisi n'agahiye, ibere ryarayaze, barasubiranamwo mu bice bimwe bimwe vy'Igihugu, inganda ziratikira. Ntiryari iyambere, ibara nk'iryo rigwa mu Burundi, mwibuke ko, mu myaka ya 1961, 1965, 1972, 1988, ibara ryaguye.

3. Ni mu ntumbero yo kunywanisha Abarundi kubera ivyo bibazo, Reta y'Uburundi yashizeho umugwi CVR kugirango ukuri kumenyekane, maze Abarundi twese tuje hamwe, dusabane

imbabazi, maze tuze dusigire ibibondo vyacu umutima w'urukundo nk'uko ijambo ry'Imana ribidutegeka.

- ***Banyakubahwa mwese mwitavye uru rubanza ;***

4. Munkundire, ndabakengurukire bimwe bivuye ku mutima kubona mwirengagije izindi manza mwari mwatumiwemwo, maze mugahitamwo kwitaba ubutumire bwacu. Ikidukoranije murakizi nk'uko mwavyisomeye mu butumire. Vyongeye, Umusaserdoti yagisubiyemwo mu nkuka y'imisa: **"*Twibuka imyaka 30 iheze hagandaguwe bunyamaswa incungu ya demokarasi mu Burundi, Nyenicubahiro Président Melhior NDADAYE hamwe n'abafasha biwe. Hari mw'ijoro ryo kuwa 20 rishira 21 gitugutu 1993".***

5. Mu kanya, duhejeje kwumviriza ijambo yashikirije ku wa 01 ruheshi 1993, umusi w'intsinzi y'Umugambwe wiwe **SAHWANYA-FRODEBU**, mu matora yambere yadushikanye ku ntsinzi ya demokarasi mu burundi. Ayandi yaheruka mu mwaka w'1961 Kuri Nyenicubahiro **Umuganwa Atari Umugani Ludoviko Rwagasore**. Iryo jambo rifise akanovera ryisangije. Ninaco gituma ataco noryongera ko ntashaka kurititura. Tubandanye turizirikana !

6. Mu kurangiza, nk'uko bimeze mu migenzo y'ikirundi nka Serugo, nagira ndabashikirize urukanywa. Muruhe umutima ushima, ntimuruhe umutima ushiha! Kuko, inda ni bahomora, ni seha uzana. Niyo rwakutsa agatere, mukutse umuhunda! Ariko rero, ntawe twirukanye, kubavyipfuza, turashobora kubandanya tuzirikana ijambo nkoramutima twumvise, twongera dusangira, kuko na kare, ejo ni umusi w'akaruhuko.

7. Mu gusozera, twongeye gushimira Imana Mushoboravyose, no gushimira Nyakubahwa umukozi b'Imana na Mwebwe bashitsi mwese mwatugendeye.

***Nitugire amahoro, ubumwe, iterambere n'intsinzi ya demokarasi mu Burundi!***

***Amb. Thérence NTAHIRAJA.-***